**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

**CABINET DU PRESIDENT**

**LOI N°1/09 DU 14 MARS 2022 PORTANT MODIFICATION DE CERTAINES DISPOSITIONS DE LA LOI N°1/12 DU 12 MAI 2020 PORTANT CODE DE LA PROTECTION SOCIALE AU BURUNDI**

---

**LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,**

Vu la Constitution de la République du Burundi ;

Vu la Loi n°1/001 du 29 février 2000 portant Réforme du Statut des Magistrats ;

Vu la Loi n°1/006 du 16 juin 2000 portant Statut des Agents de l'Ordre Judiciaire ;

Vu la Loi n°1/011 du 29 novembre 2002 portant Réorganisation des Régimes de Pensions et Risques Professionnels en faveur des Travailleurs régis par le Code du Travail et Assimilés ;

Vu la Loi n°1/09 du 17 mars 2005 portant Distinction des Fonctions Politiques des Fonctions Techniques ;

**REPUBURIKA Y'UBURUNDI**

**IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU**

**IBWIRIZWA INOMERO 1/09 RYO KU WA 14 NTWARANTE 2022 RIHINDURA INGINGO ZIMWE ZIMWE Z'IGITABU C'AMATEGEKO AGENGA UGUKINGIRA N'UGUTEGEKANIRIZA KAZOZA ABAKOZI MU BURUNDI**

---

**UMUKURU W'IGIHUGU,**

Yihweje Ibwirizwa Shingiro rya Repuburika y'Uburundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/001 ryo ku wa 29 Ruhuhuma 2000 risubiramwo amategeko agenga abacamanza ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/006 ryo ku wa 16 Ruheshi 2000 ryerekeye amategeko agenga abakozi bo mu rwego rw'ubutungane atari abacamanza ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/011 ryo ku wa 29 Munyonyo 2002 risubiramwo itunganywa ry'amategeko yerekeye amapansiyo ategekanirizwa abakozi bagengwa n'Igitabu c'amategeko agenga akazi n'abafatwa nk'abo hamwe n'ukubateganiriza impanuka zituruka ku kazi;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/09 ryo ku wa 17 Ntwarante 2005 ritandukanya imirimo ya poritike n'imirimo isaba ubuhinga n'ubumenyi ;

Vu la Loi n°1/28 du 23 août 2006 portant Statut Général des Fonctionnaires ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/28 ryo ku wa 23 Myandagaro 2006 rishinga amategeko agenga abakozi ba Reta ;

Vu la Loi n°1/07 du 21 avril 2011 portant Modification de la Loi n°1/04 du 27 janvier 2010 portant Réorganisation des Régimes de Pensions et Risques Professionnels des Fonctionnaires, des Magistrats et des Agents de l'Ordre Judicaire ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/07 ryo ku wa 21 Ndamukiza 2011 rihindura Ibwirizwa inomero 1/04 ryo ku wa 27 Nzero 2010 riringaniza gushasha ugutegekaniriza amapansiyo abakozi ba Reta, abacamanza n'abakozi bo mu bucamanza atari abacamanza bakukuruka hamwe n'ukubateganiriza impanuka ziturika ku kazi ;

Vu la Loi n°1/11 du 24 novembre 2020 portant Révision du Décret-loi n°1/037 du 7 juillet 1993 portant Révision du Code du Travail du Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/11 ryo ku wa 24 Munyonyo 2020 risubiramwo Itegeko-bwirizwa inomero 1/037 ryo ku wa 7 Mukakaro 1993 risubiramwo Igitabu c'amategeko agenga akazi mu Burundi ;

Vu le Décret-loi n°1/23 du 26 juillet 1988 portant Cadre Organique des Etablissements Publics Burundais ;

Yihweje Itegeko-bwirizwa inomero 1/23 ryo ku wa 26 Mukakaro 1988 ryerekeye amategeko agenga amashirahamwe ya Reta mu Burundi ;

Revu la Loi n°1/12 du 12 mai 2020 portant Code de la Protection Sociale au Burundi uniquement en ses articles 75,82, 83 et 84 ;

Asubiye kwihweza Ibwirizwa inomero 1/12 ryo ku wa 12 Rusama 2020 ryerekeye Igitabu c'amategeko agenga ugukingira n'ugutegekaniriza kazoza abakozi mu Burundi mu ngingo yaryo ya 75, iya 82, iya 83 n'iya 84 zonyene ;

Le Conseil des Ministres ayant délibéré ;

Inama Nshikiranganji imaze kubica irya n'ino ;

L'Assemblée Nationale et le Sénat ayant adopté ;

Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka zimaze kuvyemeza ;

**PROMULGUE :**

**Article 1 :**

La présente loi a pour objet de modifier les articles 75, 82, 83 et 84 de la loi n°1/12 du 12 mai 2020 portant Code de la Protection

**ATANGAJE :**

**Ingingo ya 1 :**

Iri bwirizwa rifise intumbero yo guhindura ingingo ya 75, iya 82, iya 83 n'iya 84 z'Ibwirizwa inomero 1/12 ryo ku wa 12

Sociale au Burundi en ce qui concerne le régime des pensions des fonctionnaires, des magistrats, des mandataires politiques ou publics, des agents de l'ordre judicaire, des cadres ou des agents du secteur public ainsi que des membres des corps de défense et de sécurité en vue de la revalorisation de leurs pensions de retraite.

**Article 2 :**

Sans préjudice des dispositions prévues par l'article 72 du Code de la Protection Sociale au Burundi, la présente loi s'applique à :

1.° la pension ou l'allocation de vieillesse du fonctionnaire, du magistrat, du mandataire politique ou public, de l'agent de l'ordre judiciaire, du membre des corps de défense et de sécurité ou d'une autre entité dont le salaire émarge sur le budget de l'Etat ;

2.° la pension ou l'allocation des survivants en cas de décès de l'affilié visé au point 1 ;

Rusama 2020 ryerekeye Igitabu c'amategeko agenga ugukingira n'ugutegekaniriza kazoza abanyagihugu mu Burundi mu vyerekeye amapansiyo ahabwa abakozi ba Reta, abacamanza, abakozi bakuru Reta yajeje ivyerekeye poritike canke abo yajeje amabanga atandukanye mu kiringo kizwi, abakozi bakurubakuru, abakozi bo mu rwego rw'ubutungane atari abacamanza n'abakozi batoyi bo mu gisata ca Reta hamwe n'abari mu rwego rw'ukwivuna abansi n'abari mu rwego rw'umutekano mu ntumbero y'ukuduza amapansiyo yabo y'ugukukuruka.

**Ingingo ya 2 :**

Hatirengangijwe ibitegekanijwe mu ngingo ya 72 y'Igitabu c'amategeko yerekeye ugukingira n'ugutegekaniriza kazoza abanyagihugu mu Burundi, iri bwirizwa ryerekeye :

1.° ipansiyo y'ubusaza ija iratangwa canke iyitangwa ingunga imwe ku mukozi wa Reta, umucamanza, umukozi mukuru Reta yajeje ivyerekeye poritike canke uwo yajeje ayandi mabanga mu kiringo kizwi, umukozi mukuru, umukozi wo mu rwego rw'ubutungane atari umucamanza canke umukozi mutoyi wo mu gisata ca Reta, uwuri mu rwego rw'ukwivuna abansi n'uwuri mu rwego rw'umutekano canke uwuri mu kindi gisata ahembwa umushahara uva mu mafaranga Reta itegekanya gukoresha ;

2.° ipansiyo ija iratangwa canke umukando utangwa ingunga imwe uhabwa abasigwa mu gihe uwategekanirijwe avugwa mu karongo ka 1° apfuye ;

3.° la pension ou l'allocation d'invalidité dans les conditions prévues par la loi ;

4.° la pension anticipée.

**Article 3 :**

L'article 75 est modifié comme suit :

Un assuré peut demander la retraite anticipée pour convenance personnelle cinq ans avant l'âge de la retraite.

La mise à la retraite anticipée pour convenance personnelle donne droit à la prestation de pension anticipée dont le montant est calculé tel que prévu à l'alinéa 1 de l'article 6.

La retraite anticipée pour convenance personnelle est soumise à l'appréciation de l'employeur qui peut l'accepter ou la refuser pour l'intérêt du service.

La pension anticipée ne se cumule pas avec le salaire.

**Article 4 :**

L'article 82 est modifié comme suit :

La pension d'invalidité est toujours concédée à titre temporaire et peut être révisée aux dates fixées par l'organisme de protection sociale. Elle est remplacée par une pension de vieillesse lorsque le bénéficiaire atteint l'âge légal d'admission à la pension.

La pension d'invalidité ne se cumule pas avec le salaire.

3.° ipansiyo y'ubumuga ija iratangwa canke iyitangwa ingunga imwe hisunzwe ibitegekanijwe n'iri bwirizwa ;

4.° ipansiyo itangwa imyaka itegekanijwe itaragera.

**Ingingo ya 3 :**

Ingingo ya 75 ihinduwe uku gukurikira :

Uwategekanirijwe arashobora gusaba gukukuruka atarakwiza imyaka itegekanijwe avyishakiye, hagisigaye imyaka itanu kugira akukuruke. Ugukukuruka uwategekanirijwe atarashikana imyaka itegekanijwe avyishakiye biratanga uburenganzira bw'ukuronswa ipansiyo itangwa imyaka itegekanijwe itaragera igitigiri cayo kigaharurwa nk'uko bitegekanijwe mu gahimba ka 1 k'ingingo ya 6.

Ugukukuruka imyaka isabwa n'amategeko itarashika birasabwa. Umukoresha ashobora kuvyemeza canke akabihakana ku nyungu z'akazi.

Ipansiyo itangwa imyaka itegekanijwe itaragera ntitanganwa n'umushahara.

**Ingingo ya 4 :**

Ingingo ya 82 ihinduwe uku gukurikira :

Ipansiyo y'ubumuga si ntabanduka kuko ishobora gusubirwamwo ku magenekerezo ashingwa n'ishirahamwe ritegekaniriza kazoza abakozi. Iyo pansiyo isubirirwa n'ipansiyo y'ubusaza mu gihe uwuyihabwa ashikanye imyaka isanzwe y'ugukukuruka.

Ipansiyo y'ubumuga ntitangwa mu gihe uwuyigenewe afise akandi kazi kamuha umushahara.

| | |
|---|---|
| **Article 5 :** | **Ingingo ya 5 :** |
| L'article 83 est modifié comme suit : | Ingingo ya 83 ihinduwe uku gukurikira : |
| Sans préjudice des dispositions de l'article 6 alinéa 1, le montant de la pension de vieillesse, d'invalidité ou de la pension anticipée et de l'allocation de vieillesse est fixé en fonction de la rémunération mensuelle moyenne, définie comme la trente sixième ou la soixantième partie du total des trente-six ou soixante meilleures rémunérations soumises à cotisation au cours de sa carrière professionnelle, le choix étant dicté par l'intérêt de l'affilié. | Hatirengagijwe ibitegekanijwe mu gahimba ka 1 k'ingingo ya 6, igitigiri c'amafaranga y'ipansiyo y'ubusaza, iy'ubumuga canke ipansiyo itangwa imyaka itegekanijwe itaragera n'ipansiyo y'ubusaza itangwa ingunga imwe gishingwa hisunzwe umushahara ugereranye wo ku kwezi, uwo na wo ukaba ungana n'ica mirongo itatu na gatandatu c'imishahara yose isumba iyindi mirongo itatu n'itandatu canke ica mirongo itandatu c'imishahara yose isumba iyindi mirongo itandatu yatanzweko intererano mu gihe uwategekanirijwe yari akiri mu kazi, uguhitamwo iyo mishahara bikaba bigirwa ku neza y'umunywanyi. |
| Si le nombre de mois civils d'assurance est inférieur à trente-six, la rémunération mensuelle moyenne s'obtient en divisant le total des rémunérations soumises à cotisation par le nombre de mois civils d'assurance. | Iyo amezi yatanzwemwo intererano adashika mirongo itatu n'atandatu, umushahara wo ku kwezi ugereranye utorwa mu kugabura igitigiri c'amafaranga y'imishahara yose yatanzweko intererano n'igitigiri c'amezi yatanzwemwo iyo ntererano. |
| Les années comprises entre l'âge légal d'admission à la pension de vieillesse et l'âge effectif de l'invalide à la date où la pension d'invalidité prend effet sont assimilées, pour le calcul du montant de la pension d'invalidité, à des périodes d'assurance à raison de six mois par année. | Mu guharura igitigiri c'amafaranga y'ipansiyo y'ubumuga, imyaka iri hagati y'imyaka itegekanijwe y'ukuronswa ipansiyo y'ubusaza n'imyaka uwategekanirijwe aba afise kw'igenekerezo ryemerejweko ko aronswa ipansiyo y'ubumuga, ifatwa nk'ibiringo vyatanzwemwo intererano y'amezi atandatu ku mwaka umwe umwe. |
| **Article 6 :** | **Ingingo ya 6 :** |
| L'article 84 est modifié comme suit : | Ingingo ya 84 ihinduwe uku gukurikira : |
| Le montant mensuel de la pension de vieillesse, d'invalidité ou de la pension | Igitigiri c'amafaranga atangwa ku kwezi y'ipansiyo y'ubusaza, iy'ubumuga canke |

anticipée d'un fonctionnaire, d'un magistrat, d'un mandataire politique ou public, d'un cadre ou d'un agent du secteur public, d'un agent de l'ordre judiciaire, ou d'un membre des corps de défense et de sécurité est calculé de telle manière qu'il est égal au dernier salaire net du mois précédant celui de sa mise à la retraite pour limite d'âge, celui du constat de l'invalidité ou celui de la mise à la retraite anticipée.

ipansiyo itangwa imyaka itegekanijwe itaragera ku mukozi wa Reta, umucamanza, umukozi mukuru Reta yajeje ivyerekeye poritike canke uwo yajeje ayandi mabanga mu kiringo kizwi, umukozi mukuru, umukozi wo mu rwego rw'ubutungane atari umucamanza canke umukozi mutoyi wo mu gisata ca Reta canke uwuri mu rwego rw'ukwivuna abansi n'uwuri mu rwego rw'umutekano giharurwa ku buryo kingana n'umushahara wa nyuma umukozi afata, yahembwe mu kwezi kw'imbere y'ukwo yakukurukiyemwo kubera akwije imyaka, ukwo hemerejwemwo ko afise ubumuga canke ukwo yakukurutsemwo imyaka itegekanijwe itaragera.

Les dispositions de l'alinéa 1 du présent article ne s'appliquent pas au calcul du montant de la pension de certains membres des corps de défense et de sécurité qui bénéficient déjà d'une base de calcul leur octroyant une pension d'un montant mensuel supérieur au dernier salaire net.

Ibitegekanijwe mu gahimba ka 1 k'iyi ngingo ntibikurikizwa mu guharura igitigiri c'amafaranga y'ipansiyo y'abari mu rwego rw'ukwivuna abansi n'abari mu rwego rw'umutekano bamwe bamwe basanzwe bafise igiharuro gifatirwako mu guharura gituma baronswa ipansiyo yo ku kwezi isumba umushahara wa nyuma.

Le montant de l'allocation de vieillesse ou d'invalidité des personnes visées à l'article 1, est égal à autant de fois le dernier salaire net de l'affilié que celui-ci compte de période de douze mois d'assurance.

Igitigiri c'amafaranga y'ipansiyo y'ubusaza canke iy'ubumuga itangwa ingunga imwe ihabwa abantu bavugwa mu ngingo ya mbere, kingana n'incuro z'umushahara wa nyuma wo ku kwezi uwategekanirijwe yafashe zihuye n'ibiringo vy'amezi icumi n'abiri yatanzwemwo intererano.

**Article 7 :**

**Ingingo ya 7 :**

Au sens de la présente loi, on entend par salaire net mensuel, le salaire brut, déduction faite des charges fiscales, des cotisations sociales et éventuellement de l'indemnité d'intérim.

Muri iri bwirizwa, umushahara wo ku kwezi umukozi afata ni umushahara wose hamwe hakuwemwo amakori, intererano y'ugutegekaniriza kazoza n'amafaranga y'akarusho kajanye n'ugusigarira ivy'imfatakibanza uwumukurira mu kazi.

**Article 8 :**

Les pensions perçues avant la prise d'effet de la présente loi sont augmentées d'un pourcentage déterminé par une ordonnance conjointe des Ministres ayant respectivement la protection sociale et les finances dans leurs attributions sans toutefois que le montant de la pension soit inférieur à trente mille francs burundais (30.000BIF).

Le montant mensuel de la pension de vieillesse, d'invalidité ou de la pension anticipée est égal à trente pour cent de la rémunération mensuelle moyenne. Si le total des mois d'assurance et des mois assimilés dépasse cent quatre-vingt, le pourcentage est majoré de deux pour cent pour chaque période d'assurance ou assimilée de douze mois au-delà de cent quatre-vingt mois.

Le montant de l'allocation de vieillesse est égal à autant de fois la rémunération mensuelle moyenne de l'affilié que celui-ci compte de période de douze mois d'assurance.

**Article 9 :**

Nonobstant les dispositions de l'article 6 alinéa 1, une ordonnance conjointe des Ministres ayant respectivement les finances et la protection sociale dans leurs attributions fixe un plafond de la pension de vieillesse ou d'invalidité à allouer aux cadres percevant un salaire net mensuel dépassant un montant fixé par une ordonnance.

**Ingingo ya 8 :**

Amafaranga y'ipansiyo asanzwe atangwa imbere yuko iri bwirizwa ritangazwa, yongerejweko ibice kw'ijana bitomorwa n'itegeko rusangi rishirwako umukono n'Umushikiranganji ajejwe ugukingira n'ugutegekaniriza kazoza abakozi hamwe n'Umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta ariko igitigiri c'ayo mafaranga ntikije musi y'amafaranga y'amarundi ibihumbi mirongo itatu.

Igitigiri c'amafaranga yo ku kwezi ku kwezi y'ipansiyo y'ubusaza, iy'ubumuga canke ipansiyo itangwa imyaka itegekanijwe itaragera kingana n'ibice mirongo itatu kw'ijana vy'umushahara wo ku kwezi ugereranye. Iyo igitigiri c'amezi yose yatanzwemwo intererano n'ayandi afatwa nk'ayo kirenga amezi ijana na mirongo umunani, ivyo bice kw'ijana bica vyongerwako ibice bibiri kw'ijana ku kiringo kimwe kimwe cose c'amezi icumi n'abiri yatanzwemwo intererano canke ikiringo gifatwa nk'ico ku mezi arenga kuri ayo ijana na mirongo umunani.

Igitigiri c'amafaranga y'ipansiyo y'ubusaza itangwa ingunga imwe kingana n'incuro z'umushahara wo ku kwezi ugereranye w'uwategekanirijwe zihuye n'ibiringo vy'amezi icumi n'abiri yatanzwemwo intererano.

**Ingingo ya 9 :**

Hirengagijwe ibitegekanijwe mu gahimba ka 1 k'ingingo ya 6, itegeko rusangi rishirwako umukono n'Umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta hamwe n'Umushikiranganji ajejwe gukingira n'ugutegekaniriza kazoza abakozi rirashinga igitigiri kinini ntarengwa c'amafaranga y'ipansiyo y'ubusaza canke iy'ubumuga ihabwa abakozi bakurubakuru bahembwa umushahara urenga igitigiri gishingwa n'iryo tegeko nshikiranganji.

Le plafond des pensions de vieillesse, d'invalidité ou de retraite anticipée pour les mandataires politiques et les mandataires publics est régi par la même ordonnance.

Urugero ntarengwa rw'ipansiyo y'ubusaza, iy'ubumuga canke iy'ugukukuruka imyaka itegekanijwe itaragera ku bakozi bakuru Reta yajeje ivyerekeye poritike canke abo yajeje amabanga atandukanye mu kiringo kizwi bigengwa n'iryo tegeko nshikiranganji nyene.

**Article 10 :**

Lorsque le fonctionnaire, le magistrat, le mandataire politique ou public, le cadre ou l'agent du secteur public, l'agent de l'ordre judiciaire, le membre des corps de défense et de sécurité remplissant les conditions légales d'accès à la pension de vieillesse ou titulaire d'une pension de vieillesse décède, la pension qui lui était versée ou qui devait lui être versée est convertie en pension de survivants au profit de ses ayants-droit.

De même, l'allocation de vieillesse qui devait lui être versée est convertie en allocation de survivants au profit de ses ayants-droit.

**Ingingo ya 10 :**

Mu gihe umukozi wa Reta, umucamanza, umukozi mukuru Reta yajeje ivyerekeye poritike canke uwo yajeje ayandi mabanga mu kiringo kizwi, umukozi mukuru, umukozi wo mu rwego rw'ubutungane atari umucamanza canke umukozi mutoyi wo mu gisata ca Reta, uwuri mu rwego rw'ukwivuna abansi n'uwuri mu rwego rw'umutekano akwije ibisabwa bijanye n'amategeko vy'ukuronka ipansiyo y'ubusaza canke yahora ayironka apfuye, iyo ipansiyo y'ubusaza yahora ahabwa ica ihindurwa mw'ipansiyo y'abasigwa, ihabwa abafise uburenganzira ku matungo yiwe.

Vyongeye ipansiyo y'ubusaza yategerezwa kuronswa, ihindurwa ipansiyo ihabwa abasirwa biwe bafise uburenganzira ku matungo yiwe.

**Article 11 :**

La pension de vieillesse ou de survivants est liquidée et payée à la fin de chaque mois à l'affilié ou à ses ayants-droit à la diligence de l'organisme de protection sociale auquel le retraité était affilié.

**Ingingo ya 11 :**

Ipansiyo y'ubusaza canke iy'abasigwa yemezwa ikongera igahabwa umunywanyi canke abafise uburenganzira ku matungo yiwe uko ukwezi kumwe kumwe kwose kurangiye bigizwe n'ishirahamwe ritegekaniriza kazoza abanyagihugu uwukukurutse asanzwe ari umunywanyi.

**Article 12 :**

Un décret met en place les modalités d'alimentation et de gestion d'un fonds de

**Ingingo ya 12 :**

Itegeko ry'Umukuru w'Igihugu rirashiraho ibikurikizwa mu gutuma ikigega kijanye

roulement et d'un fonds de réserve de sécurité en vue d'assurer l'équilibre financier de l'organisme débiteur des prestations et la pérennité de la réforme.

**Article 13 :**

Toutes dispositions antérieures contraires à la présente loi sont abrogées.

**Article 14 :**

La présente loi entre en vigueur le jour de sa promulgation avec effet rétroactif en faveur de ceux qui ont été mis à la retraite à partir du 1[er] janvier 2020.

**Fait à Gitega, le 14 mars 2022**

**Evariste NDAYISHIMIYE.-**

**PAR LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,**

**VU ET SCELLE DU SCEAU DE LA REPUBLIQUE,**

**LE MINISTRE DE LA JUSTICE,**

**Domine BANYANKIMBONA.**

n'ukuduza amafaranga y'ipansiyo n'ikigega c'integabizoza kiwerekeye biguma bironka uburyo no mu kubitunganya kugira ubutunzi bw'ishirahamwe rirangura ibitegekanirijwe abanywanyi bugume bwifashe neza no kugira ivyahinduwe bibandanye bikurikizwa.

**Ingingo ya 13 :**

Ingingo zose zahahora ziteye kubiri n'iri bwirizwa zirafuswe.

**Ingingo ya 14 :**

Iri bwirizwa ritangura gukurikizwa kuva umusi ritangarijweko kandi rigakurikizwa uhereye kubakukurutse kuva kw'igenekerezo rya mbere Nzero 2020.

**Bigiriwe i Gitega, ku wa 14 Ntwarante 2022**

**NDAYISHIMIYE Evariste.-**

**KU BW'UMUKURU W'IGIHUGU,**

**BIBONYWE KANDI BISHIZWEKO IKIMANGU CA REPUBURIKA,**

**UMUSHIKIRANGANJI W'UBUTUNGANE,**

**BANYANKIMBONA Domine.**